**CONFERENCE**
**DES EVEQUES CATHOLIQUES**
**DU BURUNDI**

**Secrétariat Général**

## INYIGISHO ISHIKIRIJWE N'INAMA Y'ABEPISKOPI GATOLIKA B'I BURUNDI KU MUSI W'IMANA WA MBERE W'IGIHE C'UBUSHIKIRO MU 2022

*Nituzigame ukwemera kwacu kandi tuguhagararire kuko gusumvya igiciro inzahabu* (1 *Petero* 1, 7)

Bavukanyi dusangiye ukwemera, eka na mwe mwese Imana ikunda mukayikundira,

1. Twebwe Abungere banyu b'Ekleziya gatolika, tubanje kubaramutsa amahoro ya Kristu yaje ari "Umwami w'amahoro", ngo atumenyeshe Imana y'ukuri, yongere atunywanishe na Yo kandi atwungire ubumwe[1].

2. Tubashikirije iyi nyigisho mu gihe dutanguye ubushikiro, ca kiringo kiroranye kiduha akaryo keza ko kwitegurira guhimbaza neza umusi mukuru wa Noheli. Uwo musi mukuru na wo murazi ko utwibutsa iteka twatewe n'uko Umwana w'Imana yigize umuntu akabana natwe, ngo uwumubonye abe abonye iyo Mana y'ukuri[2]. Ni twame dukenguruka iryo teka Imana yaduteye, kuko yatumaze inambu na basokuru bacu bari bafise, y'ukumenya Imana, uguhura na Yo n'ukwibanira na Yo. Iyo Umwana w'Imana atigira umuntu, ntitwari kurenga urugero ba sokuru bashoboye gushikako mu vy'Imana. Nkako, nk'uko inyigisho y'Inama nkuru ya Vatikano ya kabiri ibivuga, babigira nk'abazimagirika, nka kurya k'umuntu arondera ikintu mu mwijima[3].

3. Yezu Kristu, Umwana w'Imana rero ni We yatumye tumenya neza Imana nka Serukundo, Umuremyi n'Umuvyeyi wa twese abantu, atuma tumenya n'uko iyo Mana yaturemanye agashusho kayo. Ni We cane cane yaturonkeye iteka ba sokuru bacu batashobora kwiyumvira, ry'uko "agapfuye katabazwa ivu" canke ngo uwupfuye ahinduke "umuzimu", ahubwo ko umuntu apfuye yemera Imana akayikundira, azukira kuba muzima mu buhirwe kandi adasubira gupfa. Aho ni naho ukwemera kwacu gushingiye nkuko Paulo mweranda avyigisha igihe agira ati: Kristu niyaba atazutse, ukwemera kwanyu ntikugira ishingiro[4]. Ntihakagire rero uwucambirwa gusubira mu vya kera ngo hari akunguko yoba aronse. Ahubwo, kwoba ari nk'ugusubira mu mwijima yaramaze kubona ahari umuco, kuko nk'uko Yohani mweranda avyigisha: Jambo yigize umuntu ni We ari «umuco w'ukuri, uboneshereza zina muntu wese»[5].

4. Igihimbaye muri uku kwemera kwacu tugaragariza mu muryango w'Ekleziya gatolika, ni uko kwagenewe bose, kutiharijwe n'igihugu kanaka canke ubwoko bunaka. Yezu we nyene ubwiwe yaratomoye kuva mu ntango ko uku kwemera kugenewe bose. Ni vyo dusanga mw'itegeko yahaye abigishwa biwe, igihe yabikebanura agira ati: «kwire isi yose, mushikirize Inkuru nziza ikiremwa

---

[1] Raba *Yohani* 11, 52.
[2] Raba *Yohani* 14, 9.
[3] Raba Inyigisho y'Inama nkuru ya kabiri yabereye i Vatikano: *Nostra aetate* , n.2.
[4] Raba 1 *Abanyakorenti* 15, 17.
[5] *Yohani* 1, 9.

cose. Uwuzokwemera akabatizwa azorokoka, uwutazokwemera azocibwa»[6]. Muri iyo si yabarungitsemwo na twebwe turimwo. Turi ba samuragwa bambere b'uko kwemera. Boba bahuvye rero abokwibwira ko ukwemera kw'aba-Kristu ari ukwemera kw'abazungu n'abanyamahanga. Ni ivy'ukuri ko kwadushikiriye kuzanywe n'abamisiyonari b'abanyamahanga, mu gihe abazungu bariko baragabangana ibihugu vy'iyi si. Ariko ntitukitiranye ibintu n'ibindi. Na bo nyene bari bakwakiriye nk'ingabire bahawe, bagukuye ku bakuronse kuri ya Pentekoti y'abatumwa, ubona ko kuri uyo musi hari hakoraniye «abantu bo mu ntara zose ziri musi y'ijuru»[7]. Nidushire amazinda rero, uku kwemera si ukw'abanyamahanga.

5. Ko ubu bushikiro tubutanguye mu gihe duheruka kwinjira muri Yubile y'imyaka 125 twakiriye Inkuru nziza yatumye tugabana uko kwemera, ni butubere igihe kiroranye kidufasha kurimbura aho tugeze mu kukugendera. Ubuzima bwacu bwa misi yose bubwirizwa kumurikirwa n'ukwemera kw'Ekleziya gatolika, kugira ngo natwe dushobore kubera abandi umuco uberekeza kuri Kristu Mucunguzi w'abantu bose.

6. Erega ukwemera kwacu twakiriye mu muryango w'Ekleziya ni intabonwa duhamagariwe kubungabunga no guhagararira, tukirinda kukubangikanya n'imigenzo canke ingendo ziteye kubiri n'ishaka ry'Imana. Na none Yezu atubwira ati: «ntawushobora gukorera ba shebuja babiri, kuko yohava yanka umwe agakunda uwundi»[8]. Paulo mweranda na we arongera ati: «Mutegerezwa kwikurako wa muntu wa kera yama atituka kubera ivyifuzo vy'uruhendo»[9]. Ni ikizira kikaziririzwa rero ko umukristu abangikanya kuyoboka Imana no kuyoboka abantu n'ibindi biremwa ; na none abarundi barayamaze bati: *amayira abiri yananiye imfyisi.*

7. Mu kugaragaza ukwemera kwacu tuvuga duti: «Nemera Imana imwe rudende, Data Mushobora vyose, yaremye ijuru n'isi ibiboneka n'ibitaboneka». Ayo majambo y'ukwemera kwacu aratwereka ko icubahiro Imana ifise itagihabwa n'abantu, kuko ari Yo Mushobora vyose yaremye ijuru n'isi ibiboneka n'ibitaboneka. Aha ni ho hava rya bwirizwa rya mbere ridutegereza gusenga Imana yonsa no kuyikunda kuruta vyose: «Uzosenga Umukama Imana yawe, uyikorere Yo nsa»[10].

8. Nidutegere rero ko igihe cose Imana tuyirutishije umuntu, ubutegetsi, akaryoheramubiri, amaronko, ubumenyi n'ubuhinga, n'ibindi vyose vyaremwe na Yo, tuba turiko turasenga ibigirwamana, gurtyo tukaba turenze iryo bwirizwa rya mbere[11]. Vyongeye ukuja gusenga canke ukwitaba igisabisho catunganijwe n'Ekleziya canke n'abandi kugira gusa duheze itegeko ariko ata kwemera n'urukundo tubigiranye, bisa n'uguhenda Imana iduhamagarira kuyisenga n'umutima wacu wose[12].

9. Ibwirizwa ry'ugusenga n'ugukorera Imana Yo nsa ritwerekeza ku rya kabiri, ridutegereza gusonera izina ry'Imana: «ntuze urahirire ubusa izina ry'Umukama Imana yawe, kuko Umukama atazoreka guhana uwurahirira ubusa izina ryiwe»[13]. N'igihe cose dukoresha izina ry'Imana mu makoraniro yo gusenga canke mu yandi manama turondera gushika ku nyungu zacu canke z'imigwi duhurikiyemwo, zihushanye n'ishaka ry'Imana, tuba turiko turatyoza Imana n'ukwemera kwacu. N'abo bose bakoresha izina ry'Imana ngo bahishe ubugizi bwa nabi, ikinyoma canke kugira ngo

---

[6] *Mariko* 16, 15-16.
[7] *Ibikorwa vy'Abatumwa* 2, 1-13.
[8] *Matayo* 6, 24.
[9] *Abanyefezi* 4, 22-24.
[10] *Matayo* 4, 10 ; raba *Amategeko* 6, 13-14.
[11] Raba *Ikatikisimu y'Ekleziya Gatolika*, inumero 2113.
[12] Raba *Ikatikisimu y'Ekleziya Gatolika*, inumero 2111.
[13] *Ihunguka* 20, 7 ; raba *Matayo* 5, 33-34.

basinzirize abantu, babagumize mu bujuju canke babatwaze urwenge, gushika n'aho babagira abaja ; na bo nyene baba bariko baratuka Imana, gutyo bakaba bikwegeye umuvumo.

10. Iyo Mana imwe rudende, Yezu yayiduhishuriye nk'umuvyeyi yasezeranye na twebwe abantu. Urukundo n'ubuvyeyi vyayo vyigaragaje ku buryo budasanzwe muri Yezu Kristu nyene Umwana wayo w'ikinege, yadupfiriye ku musalaba hanyuma yizura mu bapfuye umusi wa mbere w'indwi[14]. Ku bigishwa ba Yezu Kristu, uwo musi w'Izuka ryiwe mu bapfuye wabaye umusi wa mbere ukura iyindi misi yose, uba n'umusi mukuru w'agakura, umusi w'Umukama[15]. Ni co gituma Ekleziya, yisunze ibwirizwa rya gatatu ridutegereza guhimbaza umusi w'Imana, ibwiriza abakristu kwibuka ukubabara, ugupfa n'ukuzuka kw'Umukama wacu Yezu Kristu mu kwifatanya n'umusaserdoti mu guhereza Inkuka y'Imisa ku musi w'Imana n'imisi mikuru itegerezwa[16]. Na none «Ekleziya ibeshwayo na Ukaristiya»[17].

11. Mbega none Inkuka y'Imisa yo ku w'Imana yoshora gusubirirwa n'ibindi bisabisho? Haba n'intete! Ivy'uko haba igihimbazo ku musi w'Imana, Ekleziya yabirekuye, mu ntango kubera ko amaparuwase yari akiri kure na kure. N'ubu irabirekura kugira ngo ihe abakristu barwaye canke bageze mu zabukuru, badashobora gushika aho bahererereza Inkuka y'Imisa, akaryo ko kuzirikana Ijambo ry'Imana no gusangira ku mubiri wa Kristu. Na ho nyene ico gihimbazo bategerezwa kukigira basangiye umutima n'abari mu Nkuka y'Imisa. Uwakristu wese akomeye kandi abishoboye, ategerezwa kuja gusangira n'umuryango w'abemera Inkuka y'Imisa. Ivyo bisigura ko uwugiye mu gihimbazo kubera ubunebwe, aba arenze ibwirizwa ry'uguhimbaza umusi w'Imana. Nimutegere kandi ko ata kindi gisabisho na kimwe canke amakoraniro yo gusenga atunganijwe n'Ekleziya canke n'iyindi migwi, vyoshobora gutezura itegeko ryo guhimbaza Inkuka y'Imisa yo ku musi w'Imana.

12. Kubera iteka ryayo, Ukaristiya ishobora guhererezwa gusa mu kibaza categuwe kandi gikwije ibisabwa n'amategeko y'Ekleziya na Liturjiya. Ni co gituma Inkuka y'Imisa idashobora kubera mu bibanza vy'amakoraniro ivyo ari vyo vyose, hatatanzwe uruhusha n'uwubirekuriwe. Ahandi ho wosanga twatituye iteka n'ubweranda bw'iryo sakramentu ry'urukundo mu kwitiranya urubanza rusanzwe n'Inkuka y'Imisa canke igacika igisabisho gisanzwe bakora mu kurindira ko abandi bashika ngo urubanza nyezina rutangure.

13. Kubera nyene ko Inkuka y'Imisa atari urubanza canke igikorane gisanzwe c'abantu, turasubiriye kubibutsa ko ijambo ryo nyene rivugwa icese mu Nkuka y'Imisa ari inyigisho y'umusaserdoti canke umudiyakoni asigura Ijambo ry'Imana ryategekanijwe kuri uyo musi. Inkuka y'Ukaristiya rero si ikibaza c'iyagiro canke co kuvugirwamwo amajambo atandukanye naho yoba akenewe gute.

14. Ukwemera n'inyigisho vy'Ekleziya bifise akarangamutima vyisangije. Muri kino gihe, amashengero mashasha yagwiriye kandi afise intumbero zitandukanye canke mbere zinyuranye, uravye ukuntu bamwe bamwe bahangana n'abandi, uwovuga ko kuba muri Ekleziya Gatolika ari co kimwe no kuba mu yandi mashengero, yoba ahuvye. Ivy'uko ingingo ya mbere y'Ibwirizwa shingiro ivuga ko Uburundi ari Republika itegamiye idini na rimwe, bisigura ko amadini canke amashengero yose angana imbere y'amategeko y'igihugu. Ariko ntibisigura ko ayo madini canke amashengero yose yemera bimwe, ku buryo ivyo Ekleziya gatolika yigisha kandi ishingiyeko vyoba

[14] Raba *Mariko* 16, 9; raba Ikete nyigisho rya Papa Yohani Paulo II ryerekeye Umusi w'Umukama: *Dies Domini*, 1998.
[15] Raba *Ikatikisimu y'Ekleziya Gatolika*, inumero 2174.
[16] Raba *Ikatikisimu y'Ekleziya Gatolika*, inumero 2042.
[17] Raba Ikete nyigisho rya Papa Yohani Paulo wa kabiri ryerekeye Ukaristiya n'Ekleziya: *Ecclesia de Eucharistia*, inumero 1.

co kimwe n'ivy'ayo yandi madini canke mashengero. Ukwemera n'inyigisho vy'Ekleziya birafise ico vyisangije bituma ata mukristu yovanga ukugendera ukwemera kwiwe n'ugusengera mu yandi madini canke ayandi mashengero tudasangiye ukwemera. Ni co gituma, nk'uko twigeze kubibahako umuco, «uguhatirwa gusengera mw'idini utarimwo canke mu buryo utemera, biciye kubiri n'uburenganzira bwa zina muntu bwemejwe n'iryo Bwirizwa shingiro nyene»[18]. Ariko no mu gihe vyoshika, mwebwe dusangiye ukwemera, turabahimirije dushimitse ngo muhagararire ukwemera kwanyu, mwoye kujuragirika «kubera uguhahamira amaronko canke ugutinya uruhamo»[19].

15. Twashimye gusubira kubibutsa ukwemera kw'Ekleziya dushimikiye kuri Ukaristiya yo «soko n'iherezo ry'ubuzima rukristu»[20]. Nk'uko Inama nkuru y'Ekleziya ya Vatikano ya kabiri ibiduhimiriza, ni vyiza ko twitwararika igisabisho mpuzamashengero yemera Kristu kugira ngo Abakristu dusubire mu bumwe kandi turangwe n'umuvukano. Ni vyiza kandi ko hama hatunganywa igisabisho mpuzamadini kugira ngo dukomeze umuvukano wugurukiye bose[21], dushire hamwe inguvu mu kugusaba amahoro ashingiye ku kuri, ku butungane, ku mwidegemvyo n'urukundo. Ariko, ivyo bisabisho vyose ntibisubirira na gatoyi Inkuka y'Imisa. vyoba vyiza ivyo bisabisho bitunganijwe n'abarongoye amadini n'amashengero. Vyongeye, nk'uko igisabisho mpuzamashengero yemera Kristu co mu kwezi kwa mbere gitunganywa n'amashengero cega, vyoba vyiza n'ibindi bisabisho vyose bihuza amadini n'amashengero bitunganijwe n'abayarongoye.

16. Turangije tubipfuriza mwese Ubushikiro bwiza. Nibubabere akaryo keza ko kuvavanura n'igicumuro n'ingeso mbi, ngo Jambo w'Imana yigize umuntu mu mbanyi ya Bikira Mariya muze mumwakirane urukundo n'akanyamuneza ku musi mukuru wa Noheli. Tubaye turabipfuriza na Noheli nziza hamwe n'umwaka mushasha muhire.

Bigiriwe i Kibeho, igenekerezo rya 13 munyonyo 2022

Abepiskopi bagize Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi

**<u>Menya neza</u>**: Iri kete nirisomwe mu Misa no mu Bihimbazo vyo ku musi w'Imana wa mbere w'Ubushikiro, igenekerezo rya 27 munyonyo 2022, mu kibanza c'inyigisho.

---

[18] Ijambo rishikirijwe n'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi ku musi mukuru wa Noheli: *Twishimikije ukwizigira kwacu, nidufashe benewacu kubana mu bumwe no mu mahoro*, 2019, n. 5.

[19] Idem.

[20] Inyigisho y'Inama nkuru ya kabiri yabereye i Vaticano: *Umuco w'amakungu*, inumero 11.

[21] Raba Ikete nyigisho rya Papa Fransisko ku muvukano wugurukiye bose: *Fratelli tutti.*

Abungere b’Ekleziya Gatolika y’i Burundi:

✠ Yohakimu NTAHONDEREYE
Umwungere wa Diyosezi ya Muyinga akaba
N’Umukuru w’Inama y’Abepiskopi Gatorika
b’i Burundi

✠ Bonaventura NAHIMANA
Umwungere Mukuru wa Diyosezi Nkuru ya Gitega, ahagarariye Diyosezi ya
Rutana akaba N’Icegera c’Umukuru w’Inama y’Abepiskopi Gatorika
b’i Burundi

✠ Gerevazi BANSHIMIYUBUSA
Umwungere Mukuru wa Diyosezi Nkuru ya Bujumbura

✠ Yohani NTAGWARARA
Umwungere wa Diyosezi ya Bubanza
P.O. Mgr Théogène MURWUWUNDI
Icariho gikuru c’Umwungere wa Diyosezi BUBANZA.

✠ Buraziyo NZEYIMANA
Umwungere wa Diyosezi ya Ruyigi

✠ Joriji BIZIMANA
Umwungere wa Diyosezi ya Ngozi

✠ Salvatori NICITERETSE
Umwungere wa Diyosezi ya Bururi